IBANKI YA REPUBLIKA
Y'UBURUNDI

# ITANGAZO

Mu ntumbero yo gukurikiza itegeko rigenga ikoreshwa ry'amafaranga mvamakungu mu Burundi ryo kw'igenekerezo rya 17 nyakanga 2019, Ibanki ya Republika y'Uburundi yarasohoye ingingo mperekeza (circulaire) n° 1/RC/2019 ishiraho urugero rw'inyungu amazu adandaza amafaranga mvamakungu ategerezwa kwisunga mu bikorwa vyayo.

Imbere yo gushiraho izo ngingo mperekeza, harabaye amanama yo guhanahana ivyiyumviro no gusiguriranira hagati y'Ubuyobozi bwa Banki ya Republika y'Uburundi na bene Amazu yo kudandaza amafaranga mvamakungu, mbere n'umwumvikano ku kuntu inyungu yabo yongana bafatiye ku biciro bisohorwa n'Ibanki Nkuru y'Igihugu ku musi ku musi wari wabaye.

Mu nyuma haribonekeje utunenge mwikurikizwa ry'iyo ngingo hamwe no mwikoreshwa ry'ubuhinga bwo gutunganya ibikorwa vyayo mazu adandaza amafaranga mvamakungu (logiciel BUREX) butangwa na Banki ya Republika y'Uburund,i naho Ibanki Nkuru y'Igihugu itahengeshanije kubibibutsa.

Kuri izo mvo, Ibanki ya Republika y'Uburundi, yisunze ikete ryayo n° D1/121/2020 ryo kw'igenekerezo rya 7 ruhuhuma 2020, iramenyesheje abarundi ko yafashe ingingo zikurikira :

1. uburenganzira bwari bwahawe amazu adandaza amafaranga mvamakungu bwarayatswe.

2. Ba nyene ayo mazu adandaza amafaranga mvamakungu basabwe gukuraho ivyapa nizindi nyandiko zerakana ko bagura bakongera bakagurisha amafaranga mvamakungu.

3. amazu yegukira amabanki ni yo yonyene yemerewe kugura no kugurisha amafaranga mvamakungu avunjirwa mu minwe.

4. izo ngingo zizotangura kuja mu ngiro kuva kw'igenekerezo rya 15 ruhuhuma 2020.

Twongera kandi gushimira inzego zose zifasha mw'ishirwa mu ngiro ry'amategeko agenga ikoreshwa ry'amafaranga mvamakungu mu Burundi, tunabasaba kubandanya gufasha mw'ishirwa mu ngiro z'izi ngingo nshasha.

Bigiriwe i Bujumbura, igenekerezo
rya 10 Ruhuhuma 2020

**Jean CIZA**

**Umuyobozi w'Ibanki ya Repubulika y'Uburundi**

BANQUE de la REPUBLIQUE du BURUNDI
BRB
Gouverneur